# 272: Umwam' ageze kw irembo

1. Umwam' ageze kw irembo,
Yabambge ku musaraba,
Yaje gukorany' abera,
Babane mw ijuru.

Ref: Kw’ irembo, kw’irembo,
Kw’iremb' ub' ari k’ irembo!
Nukw’araje, nukw’araje,
Kand' ageze kw’irembo!

2. Ivyerekana yukw aje
Birihuta kuboneka,
Kandi tugira duhabge
Kuramba ntidupfe

3. Nta h' intambar' izoshira,
Nta h' amahor' azohora
Kugez' ivyaha n'urupfu
Bitsinzwe na Yesu.

4. Maze mw isi yagizwe nsha
Ni ho hazocik' i wacu,
Kudapfa gukuyc gupfa,
Ata mubabaro!

Visit us at burundi.indirimbo.com